Nyakanga 30, 2021
DR-4615-NY NR 008
Intebe y'Amakuru ya Leta: (518) 474-8418
Intebe y'Amakuru ya FEMA: (202) 322-6071
Email: fema-4615ny@fema.dhs.gov

# Amakuru

## Abapanze Inzu Bashobora Kuronka Imfashanyo Ihabwa Abagize Ivyago

**NEW YORK --** Imfashanyo ya Leta ku bahuye n'ivyago ntabwo ari iy'abafise amazu yabo gusa. Iratangwa kandi kubapanze amazu babikwiye, kandi ishobora gufasha kuriha ibiloresho vyo munzu nk'itebe, ibitanza, imeza, ibikoresho bijanye n'akazi, gukoresha imodoka, n'amatike yo kwa muganga aturutse ku vyago.

Abapanze amazu muri **Bronx, Kings, Nassau, Queens, Richmond, Rockland, Suffolk na Westchester** ivyabo vyononekaye, babuze canke batashoboye gusubira kuba munzu zabo inyuma y'igihuhusi Ida bashobora gusanga bakwije ibisabwa kugira baronke imfashanyo ivuye muri FEMA n'Ibiro vy'Igisata c'Ibikorwa Bitobito muri Amerika.

Niwaba ufise asiranse y'abapanze inzu, banza uhamagare asiranse yawe kugira utange ikirego. Hanyuma uce usaba muri FEMA. Mugihe woba ufise asiranse, utegerezwa guha FEMA amakuru ajanye na asiranse yawe, nayo igashobora kukwemerera canke ikakwankira.

Imfashanyo yo gupanga inzu itangwa na FEMA igamije kuriha amahera y'inzu ya buri kwezi n'ibindi nka gazi, umuriro, n' amazi. Imfashanyo itangwa na FEMA ishobora kandi gukoreshwa mukuriha amahera atangwa imbere yo gupanga inzu hatarimwo terefone canke mudasobwa (internet).

Abapanze inzu bategerezwa kuba botanga ivyemeza ko bari babaye munzu yahuye n'ivyago imbere yo kuhabwa imfashanyo ya FEMA yo kuriha inzu n'ubundi bwoko b'imfashanyo itangwa na FEMA (bisobanura ku mitungo ya buri muntu n'ivyo bakoresheje mu kwimuka no kubikisha).

Kugira yemeze ko yari ahabaye, uwarokotse ivyago ashobora gutanga muri FEMA: amasezerano yo gukota canke gukotesha inzu, amatike yarihiyeko inzu, amazi canke umuriro, urupapuro rwemeza ko adandariza muri ico kibanza, ikete rivuye muri Leta, ikarata karangamuntu, ibimuranga vy'amashirahamwe akorera ngaho, impapuro zo kw'ishure, impapuro zemeza imfashanyo uhambwa na Leta, vyangomba

vy'imodoka yawe, impapuro zemejwe n'umunyamategeko zerekana aho ubaye canke izindi mpapuzo zitanzwe na sentare. Inomero za terefone z'abahinga ba FEMA kuri 800-621-3362 (711//VRS) zishobora gutanga amakuru yandi ajanye n'impapuro zemewe, amatariki yazo n'ibiziranga.

Abakotesha amazu bashobora kurungikwa ku biro nyobozi vy'Igisata c'Ibikorwa Bitobito muri Amerika bifashisha abarokotse ivyago ingurane bazokwungikira inyungu ntoyi. Ingurane za SBA zishobora gufasha uruhombo rutashoboye kurihwa na asiranse. Abakotesha amazu bashobora gusaba ingurane gushika ku madolari 40,000 mu gusanura canke gusubiriza ibintu vyononekaye canke vyabomotse munzu nk' impuzu, intebe, ibitanda, imeza n'imitungo y'umuntu harimwo n'imodoka. Ababa badakwije ibisabwa mu guhabwa ingurane ya SBA bashobora kusubizwa kandi muri FEMA bakarondererwa imfashanyo muzindi programu.

Iyo urungitswe na SBA, usabwa kwuzuza no gutuma ikete rwo gusaba. Iyo igisabo cawe cemewe, ntutegekwa kwemera iyo ngurane ariko kunanirwa gutuma ikete ryo gusaba bishobora gutuma utaronka izindi mfashanyo zishoboka za FEMA.

Hari inzira nyinshi zo gusaba imfashanyo ya FEMA:

- Temberera DisasterAssistance.gov, koresha programu ya FEMA canke uhamagare ku nomero yabose ya FEMA kuri 800-621-3362 (711/VRS). Imirongo iba yuguruye kuva isaha zibiri z'igitondo gushika isaha imwe y'ijoro iminsi indwi mundwi, kandi abazikoresha bashobora kuguhuza n'umuhinga avuga ururimi rwawe. Hamwe woba ukoresha imirongo ikoresha amavideo canke terefone zindi, tanga izo nomero muri FEMA.

  FEMA kandi yaruguruye ibigo vyo kugarukira kubahuye n'ivyago aho ushobora kubonana amaso muyandi n'abakozi ba FEMA n'abaserukira ayandi mashirahamwe ya Leta bagashobora kuguha amakuru ajanye n'imfashanyo ushobora kuronka iyo wagize ivyago. Ushaka kumenya ikigo co kugwanya ivyago kikwegereye, temberera DRC Locator (fema.gov).

Gusaba ingurane ya SBA, temberera umurongo wa SBA kuri https://DisasterLoanAssistance.sba.gov. Ushobora no kwandika email kuri DisasterCustomerService@SBA.gov canke uhamagare terefone ikurikira 800-659-2955 uronke amakuru menshi.

Umunsi wanyuma wo gusaba imfashanyo ya FEMA ni kuwa gatanu, **itariki 5, Munyonyo**.

Kugira uronke ayandi makuru kuri mudasobwa hamwe n'igitabu ca FEMA ushobora kubika, temberera DisasterAssistance.gov uce ufyonda kuri "amakuru".

Ushaka imfashanyo y'amashirahamwe akora mu bijanye n'ingorane kanaka, vugana n'ikigo ca 211 kikwegereye kuri https://www.211nys.org/contact-us canke uhamagare kuri 211. Ku baba mugisagara ca New York, hamagara kuri 311.

Ushaka amakuru agezweho ku bikorwa vyo kugarukira ku barokotse igihuhusi Ida cabaye i New York, temberera www.fema.gov/disaster/4615. Dukurikire kuri Twitter kuri twitter.com/femaregion2 na www.facebook.com/fema.

# # #

*Intumbero ya FEMA ni gufasha abantu imbere, mugihe, n'inyuma yo guhura n'ivyago.*